THE UNIVERSITY OF IOWA | COLLEGE OF EDUCATION

Isuzumwa ry'Ubumenyi bw'Umwigisha Urupapuro rwo guha uruhusha umunyeshure

Niga kuri kaminuza ya Iowa mu gisata gitegura abagomba kuba abigisha. Muri ino minsi, ndiko nkorera imyimenyerezo yo kwigisha mw'ishure umwana wawe yigamwo. Kaminuza ya Iowa irimwo muma kaminuza akoresha edTPA™, bisigura ko, kugira mperaheze igikorwa co kwimenyereza kwigisha nahawe, ntegerezwa gukora ikibazo bita Teacher Performance Assessment co gusuzuma uburyo nigisha. Bimwe mu bisabwa muri iryo suzumwa ni ugutanga ireresi (ireresi) inyerekana ndiko ndigisha ivyirwa bitandukanye mw'ishuri hamwe n'uturorero tw'udukorwa twakozwe n'abanyeshure. Mu gihe iyo reresi (video) inyerekana ndiko ndigisha iriko irakorwa, birashobora gushika ko umwana wawe abonekamwo. Nzokwegeranya udukorwa tumwe tumwe tw'abanyeshure kugira ndatwerekane nk'ivyemezo vyemeza ko nigishije. Muri utwo dukorwa, birashika ko agakorwa k'umwana wawe kabamwo. Iki si ikibazo co gusuzuma ubumenyi bw'umwana wawe. Iki ni ikibazo kijanye nivyo niga, ntegerezwa gukora kugira ndonke uburenganzira bwo kwigisha.

Nta zina ry'umunyeshure rizoboneka mu bintu nzotanga, kandi bizokwama bibitswe mw'ibanga . Amareresi (video) azoba yakozwe hamwe n'udukorwa tw'abanyeshure nzotanga ntibizokwigera bishirwa ku mugaragaro. Ibintu nzotanga (amareresi n'udukorwa tw'abanyeshure) bizokwihwezwa n'abajejwe igisata nigamwo kuri Kaminuza ya Iowa, kandi birashobora gukoreshwa n'abatora ibibazo mu mutekano ntangere mu ntumbero yo guteza imbere no gushira mu ngiro umugambi wa edTPA, harimwo n'inyigisho zihabwa abakosora, hama no mu gufasha ibikorwa vyama bikorwa vyo guhinyanyura ico gisata nko mu bijanye n'ivyirwa vyerekeye ukudata igihe n'ukwizerwa kw'ico gisata.

Uru rupapuro n'urwo kugusaba uruhusha kugira dushire umwana wawe muri iyo reresi (video) kandi twongere dukoreshe agakorwa kiwe. Usabwe kwizuza ugice co hasi c'uru rupapuro hama igice co hejuru kibe ico kwisunga. Ukaba ufise ikibazo kubijanye n'ikoreshwa ry'iyi reresi (video) canke ry'agakorwa k'umwana wawe, usabwe kwitura umuhanuzi wanje mu vyirwa, [izina], kuri [nomero ya terefone].

Urakoze [**Izina&Umukono**]

URUHUSHA RWO KWEREKANA UMUNYESHURE MW'IRERESI CANKE GUKORESHA AGAKORWA KIWE

Izina ry'umunyeshure: _____ Aho umunyeshure yiga: _____

Ndi umuvyeyi canke umurezi w'umwana yitwa izina ryanditse aho hejuru. Nasomye kandi natahuye insiguro y'umugambi yatanzwe mw'ikete riri mu gice co hejuru c'uru rupapuro, kandi nemeye ibi bikurukira (usabwe kuraba aha munsi umurongo ukwiriye):

___NDATANZE uruhusha rwo kwerekana umwana wanje mw'ireresi (video) zakozwe no gukoresha agakorwa kiwe mu kibazo co gusuzuma ubumenyi bw'umwigisha ca [**Umunyeshure akora imyimenyerezo yo kwigisha**]. Ndatahura ko izina ry'umwana wanje canke ayandi makuru ashobora gutuma umwana wanje amenyekana bitazoba biri mu bintu bizotangwa ku bajejewe igisata.

___SINTANZE uruhusha rwo kwerekana umwana wanje mw'ireresi (video) zakozwe canke rwo gukoresha agakorwa kiwe mu kibazo co gusuzuma ubumenyi bw'umwigisha ca [**Umunyeshure akora imyimenyerezo yo kwigisha**].

Umukono w'Umuvyeyi canke Umurezi: _____ Itariki: _____

Ndi umunyeshure yitwa iryo zina ryanditswe hejuru kandi ndafise n'imiburiburi imyaka 18. Nasomye kandi natahuye insiguro y'umugambi yatanzwe mw'ikete riri mu gice co hejuru c'uru rupapuro, kandi nemeye ibi bikurukira (usabwe kuraba aha munsi umurongo ukwiriye):

___Ndafise n'imiburiburi imyaka 18 kandi NDATANZE uruhusha rwo kunyerekana mw'ireresi (video) zakozwe no gukoresha agakorwa kanje mu kibazo co gusuzuma ubumenyi bw'umwigisha ca [**Umunyeshure akora imyimenyerezo yo kwigisha**]. Ndatahura ko izina ryanje canke ayandi makuru ashobora gutuma menyekana bitazoba biri mu bintu bizotangwa ku bajejewe igisata.

___Ndafise n'imiburiburi imyaka 18 kandi SINTANZE uruhusha rwo kunyerekana mw'ireresi (video) zakozwe canke rwo gukoresha agakorwa kanje mu kibazo co gusuzuma ubumenyi bw'umwigisha ca [**Umunyeshure akora imyimenyerezo yo kwigisha**].

Umukono w'umunyeshure: _____ Itariki: _____ Itariki y'amavuko: __/__/___

Translation Services USA LLC
121 Newark Ave., 3rd Floor
Jersey City, NJ 07302
1 (800) 790-3680

Project Manager: Kavita Ramgahan
Document Translation
Translation from English to Kirundi
August 28, 2019